# REPUBURIKA Y'UBURUNDI

## IBIRO VY'UMUKURU W'IGIHUGU

Tel: +257 77 535 000
E-mail: bic@kwantare.gov.bi
Site web: www.kwantare.gov.bi

IBIRO BIJEJWE KUMENYESHA AMAKURU
Facebook: /PresidenceBurundi
Twitter: @KwaNtare

## ITANGAZO KU BIMENYESHAMAKURU

Kuri uyu wa gatatu igenekerezo rya 6 Nzero umwaka w'2021, Nyenicubahiro Varisito NDAYISHIMIYE, Umukuru w'Igihugu, yahuye n'Abarongoye Imigambwe yemewe n'amategeko mu Burundi, kugira ngo bipfurizanye Umwaka mushasha mwiza, ku Ngoro yitiriwe Ntare RUSHATSI, ibiro vy'Umukuru w'Igihugu.

Abarongoye imigambwe bose bitavye ubwo butumire, baharekejwe na bamwe mu bo bafashanya mu kurongora imigambwe yabo.

Mw'ijambo Nyenicubahiro Varisoto NDAYISHIMIYE yashikirije, yamenyesheje ko uko abitegera, "*umugambwe udatsinze (amatora) utaba upfuye"* kuko abarongoye imigambwe aba ari "*abahanuzi"* kuko baba bazi vyinshi muri poritike. Yabasavye ko batokwitwa "*abatavuga rumwe na Reta, ahubwo abakebura Reta kugira ntije kubiri n'ivyipfuzo vy'abenegihugu."* Yahamagariye abarongoye imigambwe, mu butandukane bwabo, kugira urunani, gukanura, "*kugira ngo igihugu cacu kigume gihagaze neza."*

Umukuru w'Igihugu yabandanije avuga ko mu mezi atandatu amaze arongoye igihugu yabonye "*Abarundi bikunda, batanezerezwa n'uko hari uwundi yobaserukira mu bikorwa vy'igihugu."* Yibukije ko abakunzi badaherera mu mubindi. Nyenicubahiro Varisito NDAYISHIMIYE yamenyesheje kandi ko yabonye "*Abarundi b'ibinebwe bazi ko akazi ka Reta kica uwicaye"* ariko kandi ko mu mezi atandatu yabonye n'ivyiza vyinshi, biruta ibibi, "*ari na co igihugu kiguma gihagaze neza."* Umukuru w'Igihugu yaciye asaba abarongoye Imigambwe ko ivyo bibi "*twobifata nk'akaranda. Tugire urunani tubikosore, vyanse na ho tubihagurukire tubirwanye."* Yarangije ashima inyifato abanyamigambwe basigaye bafise, "*yerekana ko bamaze kumira akabuye k'abagabo, batagitamikwa ijambo na ba sesankuyoze."*

Kw'izina ry'abatumire, Petero Claver NAHIMANA yashimiye Prezida Varisito NDAYISHIMIYE k'ubutumire, yongera ashima aho agejeje igihugu mu kugiteza imbere muri vyose. Igisabisho co gusozera ivyo birori cashikirijwe na Agathon Rwasa, aho yakengurukiye Imana ko yahezagije Uburundi indongozi nka Varisito NDAYISHIMIYE, zishira imbere ineza y'Abenegihugu n'Igihugu.

Bigiriwe i Bujumbura, igenekerezo rya 6/01/2021

**Willy Nyamitwe**
*Umukuru w'Ibiro bijejwe Amakuru*